Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 71
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

Email:journalndongozi@gmail.com
Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi
B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337

N°809 15 Ruhuhuma 2024

## Umusi mukuru mpuzamakungu ugira 32 wahariwe abarwaye:«Si vyiza ko umuntu aguma ari wenyene»

Muri Ekleziya Katolika iyo iva ikagera, umusi w'Imana w'igenekerezo rya 11 Ruhuhuma 2024, wari umusi mpuzamakungu wahariwe abarwaye. Uwo musi mpuzamakun gu wagize 32 kuva Papa Paulo wa II atangaje uwo musi mu mwaka 1992.

Muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura, uwo musi wahimbarijwe muri Paruwase Kamenge yitiriwe umweranda Guido Maria Conforti. Umwungere wa Diyose nkuru ya Bujumnbura, Musenyeri Geravazi Banshimiyubusa, yibukije abakristu bari ngaho ko atari vyiza ko umuntu aguma ari wenyene.

Nk'uko abivuga, ibitera ubujenyene ngo ni vyinshi: hari indwara zidasanzwe zituma umuntu yugaranwa canke yiyugaranira ukwa wenyene, indwano zigisibije mu mpanbde zitandukanye z'isi, ubusaza butuma umuntu yisanga mu bunyakamwe kubera imyaka afise, n'ibindi.



Foto: Mélance Ndayikeze

Umwungere Mukuru wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura ariko asuhuza abarwaye

Soma ku Rup. 6

*Abakozi ba Ndongozi*

**Uwujejwe uruganda:**
* A. Noël NTIRANDEKURA

**Abamenyeshamakuru:**
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

**Uwujejwe ubuhinga:**
* Chanel HARINGANJI

**Umunyamabanga:**
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

**Umunyabigega:**
* MSV Nadine HARAGIRIMANA

**Uwujejwe imigenderanire:**
* J. de Dieu NDIKUMANA

## Mu bugaragwa, Imana iraducira inzira y'umwidegemvyo

*Inyigisho ya Nyenubweranda Papa Fransisko mu gihe c'Ikarema ya 2024*

*Bavukanyi mwese,*

1. Igihe cose Imana yimenyekanishije, iradushikiriza umwidegemvyo : «***Ndi Umukama Imana yawe, yagukuye mu buja bw'igihugu ca Misiri*** » (Ihunguka 20, 2).

Ayo majambo ni yo yugurura ya mabwirizwa cumi Musa yari yahawe kuri wa musozi wa Sinayi. Igihugu c'Israeli carategereye uko guhunguka Imana yavuga. Nkako,ubuja baciyemwo bwari bukiri mu bwenge bwabo. Igihugu carahawe mu bugaragwa ayo mabwirizwa nk'inzira ibashikana ku mwidegemvyo.

Tuyita « amabwirizwa » kugira ngo dushimangire inguvu Imana ikoresha mu rukundo rwayo mu ngendo yo kurera igihugu cayo. Nkako, ni umuhamagaro ukomeye wo kutugira abidegemvya. Uwo nawo si uw'ikiringo kimwe, ahubwo uguma utamanzura uko bukeye uko bwije.

Nkuko Israeli ikiri mu bugaragwa yazigamye mu mushaha uko yabayeho mu Misiri, maze ikicuza kahise kayo igihe cose yibutse ko yidogeye Imana na Musa, ni nako n'uyu musi, igihugu c'Imana kigumana imizana gihamagariwe gu-

Soma ku Rup. 3

## Ibirimwo

o Umuchiro ni uwushingira intahe Yezu Kristu aho ari hose........5
Umunsi mpuzamakungu w'ibanga ryo kwihebera Imana.............7
o Bimwe mu bitaro vya hano mu Burundi, vyaraye bigabanye ivyuma bifasha abarwayi guhema ........9
o Ingene iyunguruzwa ry'imanza rigenda muri sentare ..............10

# Idominika ya mbere y'Ikarema: *Umwaka B*

## Igisomwa ca mbere : *Amamuko : 9, 8-15*

Ivyo dusoma mu gitabu c'Amamuko :

(***Isezerano Imana yasezeranye na Nohe igihe yamukiza amazi y'isegenya***)

Imana ibwira Nowa n'abahungu biwe iti : «Nanje rero, ndunze isezerano ryanje hamwe na mwebwe, hamwe n'uruvyaro rwanyu mu nyuma zanyu, hamwe n'ibifise ubuzima muri kumwe: inyoni, ibitungwa, ibikoko vyose vyo kw'isi muri kumwe, ico cose casohotse kiva mu bwato, ibikoko vyose vyo kw'isi. Nzokwunga isezerano ryanje hamwe namwe kandi sinzosubira gutikiza n'amazi y'isegenya igifise umubiri na kimwe, nta segenya izosubira kubaho ngo itikize isi.»

Imana ivuga iti : «Ng'iki ikimenyetso c'isezerano nshize hagati yanje namwe, hagati y'igifise ubuzima cose muri kumwe, uko imvyaro zizokurikirana na ntaryo. Nshize umuheto wanje mu gicu ngo ube ikimenyetso c'isezerano riri hagati yanje n'isi. Ninakoraniriza ibicu hejuru y'isi, uyo muheto ugaseruka muri vyo, nzokwibuka isezerano ryanje nshize hagati yanje namwe, hagati y'igifise ubuzima cose n'igifise umubiri cose, kandi amazi ntazokwongera kuba isegenya itikiza igifise umubiri cose.

## Igisomwa ca kabiri : *1 Petero: 3, 18- 22*

Ivyo dusoma mw'ikete rya mbere ry'Umutumwa Petero :

(***Amazi yibatisimu yadukijije ibicumuro vyacu***)

Bakunzi banje :
Nkako Kristu we nyene yarapfuye rimwe rizima kubera ibicumuro, intungane irapfira abononyi kugira ngo idushikirize Imana. Yarishwe ku bw'umubiri, ariko yarasubiye kuba muzima ku bwa Mutima. Uyo Mutima ni wo yajanye guhumuriza imitima yari mw'iboheroi, ya mitima yari yanse kwemera kera aho ubwiyumanganyi bw'Imana bwarorera mu misi ya Nowa bwa bwato bukibazwa.

Muri ubwo bwato, abantu bakeyi bashika umunani barashoboye gukizwa n'amazi. Ayo mazi amenyesha ya batisimu ibakiza namwe ubu, ntibakiza mu kubakurako ico ry'umubiri, ariko irabakiza mu kubaha kwiyegurira Imana n'umutima mwiza kubera izuka rya Kristu, We yuriye mw'ijuru akicara iburyo bw'Imana, akubahwa n'abamarayika, abafise ububasha n'abafise
ubukomezi.

## Inkuru nziza : *Mariko: 1, 12– 15*

**Ijambo ryawe ni ukuri, Mukama, itegeko ryawe na ryo ni ubukiriro.**

*- Umuntu ntatungwa n'ndya gusa, ariko aratungwa n'ijambo ryose riva mu kanwa k'Imana.*

**Ijambo ryawe ni ukuri, Mukama, itegeko ryawe na ryo ni ubukiriro.**

Ivyo dusoma mu Njili nyeranda yanditse Mariko :

(***Arageragezwa na shetani, na bo abamarayika baramumara inzara***)

Ubwo nyene, Mutima aca amutwara mu bugaragwa. Mu bugaragwa rero, ahamara imisi mirongo ine, agezwa n'ishetani. Yabana n'ibikoko, abamarayika na bo bakaza baramukenurira.

Yohani Batista amaze gufatwa, Yezu aja mu Bugalile yigisha Inkuru nziza y'Imana, avuga ati: «Igihe cashitse kandi Ubwami bw'Imana buri hafi. Nimwisubireko kandi mwemere Inkuru nziza.»

**Igisabisho ca yubile y'imyaka 125 irangiye,
Inkuru Nziza ishitse mu Burundi**

**Dawe mweranda, turagukengurukiye ko waturungikiye Umwana wawe w'ikinege Yezu Kristu, akigira umuntu, akaducungura, akatunywanisha na wewe Dawe, akongera akatuvukanisha twese.**

**Dawe Mweranda, nuninahazwe kubw'inkuru nziza Umwana wawe yatumenyesheje. Turagushimiye ku bayakiriye ubwa mbere, bakayimenyesha bahereye i Yeruzalemu, igashika n'aha iwawcu mu Burundi, haraheze imyaka ijana na mirongo ibiri n'itanu. Turagukuriye ubwatsi ku gikorwa c'agatangaza abamisiyonari bose baranguye mu kuyidushikiriza.**

**Dawe Mweranda, turakengurutse ingabirano y'ukwemera n'Ibatisimu yatuvukanishije n'Umwana wawe Yezu Kristu kubera Ijambo ryawe twigishijwe. Turagukengurukiye no kungo z'abakristu zubatse zisunze umugambi wawe. Turagusavye uzikomeze na ntaryo zame ari amayogi y'urukundo n'umwumvikano, abibwamwo Ijambo ry'Imana, ukuri n'ubutungane, amahoro n'ukurekuriranira.**

**Dawe Mweranda, rungikira Mutima wawe ingo zose zihanzwe na vyinshi, ntizihebure, zivome riho inkomezi mw'Ijambo ryawe no mu masakramentu, zongere ziremeshwe n'umuvukano uranga abana bawe.**

**Dufashe ngo iyi Yubile itubere akaryo keza ko kwinagura ngo dukomeze ukwemera kwacu, maze ingo n'imiryango vyitange bitiziganya kugira ngo umuco w'Inkuru nziza ushware imitima y'abantu bose. Tubigusabishije Yezu Kristu Umukama wacu.
Yezu, Mariya na Yozefu, Muryango Mweranda w'i Nazareti, Dusabire!**

# Mu bugaragwa, Imana iraducira inzira y'umwidegemvyo

*(Bitangurira ku rup.1)*

cagagura no guheba.

Ni vyo twibonera iyo tubuze ukwizigira maze tukabaho nk'abari mu gahinga kanyaga na nde, katagira igihugu c'isezerano twese dutera tugana.

Ikarema ni igihe c'imigisha y'Umukama kiduha guhindura ubugaragwa, nkuko umuhanuzi Izaya yabivuze, bugacika ikibanza c'ugupfundika urukundo rwambere (raba Oze 2 , 16-17). Imana irarera iguhugu cayo kugira kive mu buja maze cinjire mu buzima. Nk'umucance, iratwigarukanira iwayo maze ikayagira umutima wacu amajambo y'urukundo.

2. Ukuva mu buja winjira mu mwidemvyo si inzira iri mu kirere. Kugira ngo Ikarema yacu na yo ironke uburiba, ingendo yambere ibereye ni ukwemera kwihweza ibintu uko biri. Igihe, muri ca gisaka casha kidatokombera, Umukama yahamagara Musa akamuyagira, yamwihishutse ubwo nyene nk'Imana ibona kandi yumva : « Narabonye amagorwa y'igihugu canje kiri mu Misiri, kandi naracumvise gikoma induru imbere y'abagikoresha.

Ni vyo, ndazi ububabare bwabo. Namanutse ngo ndabakure mu vyara vy'Abanyamisiri, ndabavane muri ico gihugu, ndabadugane mu gihugu ciza kandi cagutse, mu gihugu gitembamwo amata n'ubuki » (Ihunguka 3, 7-8).

N'uyu musi nyene, amaborogo y'abavukanyi bacu bahahazwa arashikira Imana.
None twibaze ikibazo: Mbe ayo maborogo aradushikira ? Araduhungabanya ? Hari ico atubwira? Haracariho vyinshi bidutandukanya hagati yacu, bigafutanya umuvukano wacu wahora udufatanya hamwe n'abandi.

3. Aho mperuka kugendera igisagara c'i Lampeduza, naratereye ibibazo bibiri iyi ngendo y'ubu ikwiye kw'isi yose ishaka ko umuntu aba nyamwigendako : Nagize nti: "Mbega uri he"? (Amamuko 3, 9), "Umuvukanyi wawe ari he"? (Amamuko 4, 9).

Urugendo rwacu muri iyi karema ruzotubera ingirakamaro, nitwemera gusubira kwumviriza, tugatega amatwi ivyo bibazo, maze bikaduha gutegera yuko natwe tugifise imizana y'ubuja bwa Farawoni. Ubwo buja buraturuhisha bukanadutimbisha. Ni ingendo, aho kudukuza, iducanishamwo igatako ikatwaka n'umwizero wacu.

Isi, impwemu n'amazi vyaramaze gutosekara, bidasize inyuma imishaha yacu. Nkako, naho ukwidegemvya kwacu kwatanguriye mw'ibatisimu, haguma muri twebwe impengamiro igoye gusigura ituroresha ku buja.Womengo dukwegakwerwa no kurondera guhungira mu mutekano w'ivyo twamyemwo kuva na kera, ari nako bidutosekariza umwidegemvyo.

4. Nashaka nshimike ku kantu gitoyi tutokwirengangiza dusanga mu gisomwa co mu gitabu c'Ihunguka : Ni Imana ibona, ikababara, ikabohora, si igihugu c'Israeli kibisaba. Faraoni wewe ntashaka n'ukuvyumva kuko agomba ko yoba ari we nyen'ijuru, akiyerekana nkuko adashaka ko hari icohinduka, aho agateka katubahirizwa, aho imigenderanire myiza idahabwa ikibanza ngo ikurikizwe.

Muri make nawe nyene aguma yiboshe.Twibaze ikibazo : Ubwo ndipfuza isi nshasha ? Ubwo ndumva niteguriye kwimatura ku vyakera ? Intahe y'abavukanyi banje b'Abepiskopi batari bake n'abantu benshi baharanira ubutungane n'amahoro vyaramfashije gutegera ko ntegerezwa kumenyesha ko hakibuze ukwizigira.

Ni intambamyi ibohera imugongo indoto, ni akamo katumvikana ariko gashikira ijuru kagakora ku mutima w'Imana, kakagereranywa n'ukwicuza ubuja bwaboshe Abanyisraeli igihe bari mu bugaragwa bukababuza kubandanya urugendo. Ihunguka rirashobora guhera.

Nkako, ntawoshobora gusigura ingene isi iriko irashika ku rugero rw'aho abantu baharanira umuvukano wa bose no ku ntambwe ishimishije y'iterambere mu mpande nyinshi, ariko abantu bagashishikara bajuragirika nk'abari mu muzimagiza w'ubusumbasumbane bujana n'amatati.

5. Imana ntiyigera iturambirwa.Twakire iki gihe c'Ikarema, nk'igihe nyaco, kiroranye c'aho Ijambo ry'Imana risubira kutwakura : « Ni jewe Umukama Imana yawe, nagukuye mu gihugu ca Misiri , mu nzu y'ubuja » (Ihunguka 20,2).Ni igihe c'uguhinduka, igihe c'umwidegemvyo.Yezu, we nyene ubwiwe, nkuko twama tuvyiyibutsa uko umwaka utashe, ku musi w'Imana wa mbere w'igihe c'Ikarema, Mutima yaramujanye mu gahinga kugira ageragezwe ata gahato.

Mu misi mirongo ine yose azokwama imbere yacu kumwe natwe. Ni umwana w'Imana yigize umuntu. Imana yacu iratandukanye na Faraoni, kuko ntishaka abaja, ishaka abana bo mu nzu.

Ubugaragwa kuri twebwe, ni ikibanza c'aho umwidegemvyo wacu ushobora gukura ugatera imbere, mu kwifatira ingingo nziza y'ukudasubira mu buja.

6. Mu gihe c'Ikarema turaharonkera umuco mushasha udufasha guhwebuza neza hamwe n'umubano dusangira urugendo mu nzira nshasha tutari bwigere tugenderemwo. Ivyose bitwinjiza mu rugamba.

Turabibona neza mu gitabu c'ihunguka no mu

*Ibik. urup.12*

# Mbega ikivumbiko camaze iki? kimaze iki? Kizomara iki mu muhari w'abasaveri ?

(Bitangurira ku rup.1

***Ikivumbiko ni igiki ?***

Mu kirundi, ikivumbiko ni igiti kinini bashira mu ziko iyo bahejeje guteka imfungurwa, bakakirenzako amakara n'umunyo-ta, kugira kibike umucanwa uzagukoreshwa mu guteka igihe icarico cose bikenewe.

Mu muhari w'Abasaveri naho, baciye bishimikiza uwu mugani ngo : *«Agashitsi ka kera kavumbika umuriro »*. Abitwa ibivumbiko rero, ni abasaveri b'inararibonye muri uwo muhari. Abo nabo bakaba bahurikiye mu gisata c'abasaveri bakuze.

Abo rero ni bo bari baramukanye ihwaniro ridasanzwe ku ncuro ya mbere ku wa 11 Ruhuhuma 2024 mu nyubakwa z'ikigo ndongozi y'Uburundi.

Iryo hwaniro ridasanzwe rikaba ryabaye mu ntumbero yo kwirimbura mu myaka 71 uwo muhari umaze uvutse hano mu Burundi, hamwe no kwugurura umwaka w'isabukuru y'imyaka 40 irangiye ico gisata c'abakuze muri uwo muhari kibayeho.

Uwo musi mu vyawuranze, harimwo inyigisho zikaburira ivyo bivumbiko kwongera gusubiza amaso inyuma kugira barabe iyo bavuye, aho bageze, niyo bariko baraja.

Inyigisho yambere yatanzwe na Zenobé NIRAGIRA, icegera c'uwutwara uwo muhari kw'isi yose ikaba yari *« Ikibanza c'umuhari w'abasaveri mu Burundi no kw'isi yose.»*

Muri iyo nyigisho, Zenobé yarerekanye kahise k'uwo muhari, arerekana akaranga butumwa n'akaranga mutima nk'umuhari wegukira Ekleziya Gatorika; arerekana akaranga kawo nk'ishirahamwe ri-



Foto: Chanel HARINGANJI

fise amategeko yemejwe n'ubushikiranganji bw'intwaro yo hagati mu gihugu, hamwe nokumenya igitigiri c'ibivumbiki vyose hamwe.

Inyigisho igira kabiri yatanzwe na NDIKUMWAMI Antoine yahoze arongoye ico gisata c'abasaveri bakuze.

Iyo nyigisho ikaba yarishimikiye kukungene uwo muhari watanguye, n'icatumye utangura hamwe no kuraba aho ugeze muri diyoseze nkuru ya Bujumbura.

Aremeza ko ico ari yakigizwe n'umuhari kuva akiri muto kuko inyigisho yahawe na patiri Andre KAMEYA ari nawe yamwinjije muri uwo muhari aciga mu mwaka wa



Foto: Chanel HARINGANJI

5 w'amashule matomato, arizo zamutumye aba umunyamuhari yuzuye kugeza uyumusi.

Afatiye aho, akavuga ko bagiye gusubira hasi muri rwa rwaruka rusaveri kugira bigishe umuhari, bakure bazi gusenga kandi bazi inyigisho gisaveri kanatsinda ni bo ndongozi z'ejo.

Inyigisho igira gatatu yatanzwe na Patiri Dieudonné NTAMAVUKIRO, umunyamuhari.

Iyo nyigisho yarishimikiye ku nguvu bafise, aho bahobahoba, akaryo bafise hamwe n'ingene botora umuti w'ibibazo mu ntumbero yo kwubaka no gukomeza umuhari; kugira umuhari wiyubake bimwe biboneka baranarabiye hamwe kandi indanzi zoranga indongozi nyakuri kuko umusaveri wese abwirizwa kuba indongozi.



Foto: Chanel HARINGANJI

Imbere y'uko atangura inyigisho, yabanje kwibutsa ubwambere abasaveri bakuze abo aribo.

Nk'uko patiri George Defour yatanguje uwo muhari yavyanditse, abasaveri bakuze ni nk'imfura. Izo mfura rero ni zo zite-gerezwa kwitwararika vyose mu gishingo ca batoya babo kuko aribo bafise ivyo babazwa mu muryango.

Yarangije iyo nyigisho yibutsa ko kugira umuntu ashike kw'ihangiro, yobanza kuraba mu migambi yiwe icihuta gusumba ibindi kandi gikenewe, akaba arico aherako kuko vyose bidashobora gukorerwa rimwe.

Ikindi bagarutseko cane, ni umugambi wa Kimina. Ico naco kikaba ari ikibanza kiri muri paruwase Kabezi bagabiwe na patiri Alphonse NDABISERUYE yahoze arongoye ikigo ngororeramajambere ca diyoseze Bujumbura. Muri ico kibanza hakaba ariho hazubakwa ibiro vy'uwo muhari ku rwengo rw'igihugu.

Tubamenyeshe ko iyo sabukuru izohimbazwa ku wa 2 Kigarama 2024.

Nk'uko vyifujwe n'abatari bake uwo musi, iyo sabukuru bifuza ko yohimbarizwa muri ico kibanza.

Ni muri iyo ntumbero muvyo bumvikanye ko bagiye gukora vuba, ari ukugira inguvu zidasanzwe kugira bubake inzu nini y'amakoraniro boshobora guhimbarizamwo imisi mikuru nk'iyo. Ivyo bikaba biruko mu gihe hasanzweyo umushinge, ariko haheze igihe kitari gito atabikorwa vy'amaboko vyibonekeza ku rubuga.

Bafatiye kuri izo nyigisho zose zatanzwe uwo musi hamwe n'ibiyago bitandukanye bifatiye kuri Kimina, niho baca bibaza ikibazo bati : *«Mbega ibivumbiko vyamaze iki? Bimaze iki? Bizomarira iki umuhari? »*

Abandi nabo bati : *« Mbega twavuye he? Tugeze he? Twoba turiko tuja he?»*

Iryo hwaniro ridasanzwe ry'abasaveri bakuze rikaba ryabaye ku civugo ngo: *« Dukomeze umuhari w'abasaveri mu bisabisho, mu bikorwa vyacu no mu twigoro»*

***Chanel HARINGANJI***

# Umuchiro ni uwushingira intahe Yezu Kristu aho ari hose


Foto: Mélance Ndayikeze

Emmanuel Ngendakumana, Kizigenza w'Umuhari wa Chiro mu Burundi

*«Umuchiro ni icariho ca Yezu Kristu akongera akamushigira intahe aho ari hose».* Ngayo amajambo shimikiro mu kanyamuneza karanze abachiro bo muri diyoseze nkuru ya Bujumbura ku musi wo kwigina umweranda Yohani Bosko, umuvunyi w'umuhari wa Chiro kw'isi yose.

Uwo musi mukuru wahimbajwe mu madiyoseze yose agize Uburundi bamwe bamwe bose ku musi bihitiyemwo. Muri diyoseze nkuru ya Bujumbura, uwo musi wahimbajwe ku musi w'Imana igenekerezo rya 04 Ruhuhuma 2024. Abachiro bavuye mu maparuwase nka yose agize diyoseze bari bigavye barara i Bujumbura ngo bazinduke bahimbaza neza uwo musi.

Mu gatondo ko kumusi w'Imana igenekerezo rya 4 Ruhuhuma, abachiro barabiciye biracika mu rugendo rurerure bakoze bava kuri paruwase Mikaheli Mweranda bagana ishure rikuru ryitiriwe Scheppers mu Nyakabiga aho bari bateguye guhimbariza uwo musi mukuru.

Bashajije cane, abavuza fanfare bari i mbere, ingoma zivuga ku mudiho zisangije, abachiro batambuka ku rugero rw'izo ngoma, kari agaroruhore muri ayo mabarabara yo hagati mu gisagara ca Bujumbura. Urwo rugendo rwamaze hafi amasaha abiri.

**Noba ndarwiciriye ntamenyesheje inkuru nziza**

Afatiye kw'ijambo ry'Imana ryo kw'idominika ya 5 y'igihe gisanzwe mu mwaka B, patiri Isayi Ntakirutimana Umwibutsamana w'umuhari wa Chiro muri diyoseze nkuru ya Bujumbura yahamagariye abachiro kwama bizeye Imana na ntaryo. Yabibukije ko akarorero ko kwizera Imana ari umutama Yobi Bibliya ituyagira. Patiri ati: «Yobi naho yri mu bihe bitoroshe, yagumye yizigiye Umukama, akama ari we asaba ubudahengeshanya».

Kuri uwo musi, abachiro umunani bari bamaze imisi bitegura, bararekuriwe kugira indagano z'abakuru nk'uko uwo muhari ubitegekanya. Muri izo ndagano, umuchiro yemera ko azorangurana ubwira n'urweze kandi adahigimanga igikorwa c'ibanga ry'umukuru w'abandi mu muhari wa Chiro.


Foto: Mélance Ndayikeze

Abachiro bari ku rugendo bagana kuri Lycée Scheppers ahabera urubanza

Patiri Savino Ndereyimana, umunyamabanga mpuzanbikorwa mu gisata c'inama y'Abepiskopi kijejwe abalayike ingo n'imiryango hamwe n'ubuzima, yari yateye iteka ivyo birori, yasavye abo bachiro kwama basoma ijambo ry'Imana kugira babe abamenyesha b'inkuru nziza ya Yezu Kristu babushitse. Yabasavye kuba ingabo nziza za Yezu Kristu no kuba abantu b'ibanga, kandi barigendera.

Emmanuel Ngendakuriyo, Kizigenza w'umuhari wa Chiro mu Burundi yarakengurukiye bimwe vy'imvamutima abachiro b'i Bujumbura cane cane ku butwari bwabo bama berekanye, ingene bavuza ingoma na Fanfare neza, ingene bashaza ba kaberwa, ati : «Nta yindi diyseze ndabona ifise umuhari witunganije nka diyoseze Bujumbura.

**Ntituriko duhimbaza urupfu rwa Yohani Bosko Mweranda...**

Mw'ijambo ryiwe, Emmanuel Ngendakuriyo yibukije abachiro ko umusi wo kwibuka Yohani Bosko Mweranda, ko ari umusi w'akanyamuneza. Ati: «Ntituriko duhimbaza urupfu rwa Yohani Bosko Mweranda, ahubwo turiko twibuka ubutwari bwiwe.»

Nk'uko Emmanuel yabigarutseko, ngo mu gihe c'indwano y'isi yose, umusaserdoti Yohani Bosko yaritwararitse cane abana bari bahuye n'amabi yo mu ntambara, arabegeranya, arabigisha gusenga no gukora ibikorwa bitandukanye, hadasigaye inyuma inkino kuko ziri mu bibumbatira amahoro. Yasavye abachiro kwama bagendera iryo ragi kuko ngo ariko karanga k'umuhari wabo.

***Mélance NDAYIKEZE***

# Umusi mukuru mpuzamakungu ugira 32 wahariwe abarwaye:«Si vyiza ko umuntu aguma wenyene»

Mu gihe co kwitsa ijambo ry'Imana, Musenyeri Gerevazi Banshimiyubusa yagarutse kw'ijambo ry'Imana ry'uwo musi aho ibisomwa vyari vyashimikiye ku ndwara y'imibembe mu gihe c'abahanuzi mu gisomwa ca mbere, n'ingene Yezu Kristu akiza iyo ndwara mu gisomwa c'inkuru nziza.

Mu gihe c'abahanuzi, uwurwaye imibembe ngo yarakumirwa canke nawe nyene akikumira. «Yambara impuzu zitabutse, imishatsi agasambagura, akitwaza n'agakengeri agenda aravuga ati ndahumanye»

Yezu wewe, ahuye n'uwufise iyo ndwara, yaramwiyegereje, aramvura ukuboko aramukorako. Ivyo ngo vyerekana rwa rukundo rwa Data yarungitse umwana wiwe ngo aze kw'isi yegere abantu ngo abakize igicumuro. Mugukora ku murwayi akamuvugirako n'ijambo, navyo ngo vyerekana ko Imana idukiza mu masakramentu, aho isakramentu ryose rifise ikimenyetso kiboneka n'ijambo rigiherekeza.

Umwepiskopi ati: «Yezu mugukora kuri uyo muntu, ashatse natwe kutwubahura ngo twitwararike abantu bose kandi ntihagire uwo twirengagiza canke twinuba kubera imvo iy'ari yo yose, n'aho nyene mu maso y'abantu woba umengo irumvikana». Uwo Mwepiskopi yibukije ko indwara atari umuhamagaro, ko ari ibintu bishika kandi atawovuga ngo ntibizomushikira.

Umuvyeyi wacu Papa mu kutwibutsa ko atari vyiza ko umuntu aguma ari wenyene, ashaka ko abakristu bagira uwo mutima wo kwitwararika abantu bose, ntihagire uwugorerwa ukwa wenyene kandi Imana yadushize kw'isi ngo dufashanye.

Mw'ishirahamwe riharanira agateka k'uwurwaye mu Burundi «ABDDM ubuzima ni katihabwa», ngo baramaze gutahura iryo jambo rya Papa. Ibikorwa vyose bakora, bashaka ko uwurwaye ahabwa iteka rimubereye.

Patero Nindereye aserukira imbere y'amategeko ishirahamwe ABDDM, avuga ko bafise intumbero yo kumenyekanisha uwo musi mpuzamakungu kugira ngo abantu bose bawumenye bongere bagire ikibabagwe co kuba hafi uwurwaye no kumwumvira impuhwe.

Muri ABDDM, bahimbawe n'uko Reta y'Uburundi iherutse gushiraho itegeko ry'inyifato yoranga abaganga imbere y'uwurwaye. Iryo tegeko ngo riirategekanya n'ibihano. Kuri ABDDM, ivyo ngo bizotuma uwurwaye yitwararikwa gusumba. Icifuzo cabo ngo nuko uwo musi igihugu cowugira mukuru cane, kikawuhimbaza nk'iyindi misi mpuzamakungu.

**Mélance NDAYIKEZE**

# Ubwenge buhanitse bw'ubuhinga bwa none n'amahoro *(Ibikurikira)*

6. Ubwo tuzohindura inkota tuzicuremwo amasuka ?

Dutereje ijisho hirya no hino tukaraba isi turimwo, ntidushobora kwirengagiza ubwo buhinga bwa none kandi buhanitse ku vyerekeye ibirwanisho. Ubushobozi bwo gukoresha ivyo birwanisho gushika mu birere biri kure na kure, ububasha bw'ukubicungera, vyatumye bene kubikora no kubikoresha batiyumvira inkurikizi nyinshi zavyo; ivyo bikajana no kwirengagiza uruhara rwabo mu kubikoresha maze ikibazo c'ingwano kigafatwa minenerwe.

Ubushakashatsi bukorwa muri ubwo buhinga ku bijanye n'ibirwanisho ruhonyanganda n'ikoreshwa ryavyo muri ubwo buhinga buhanitse, ni ikintu gihagaritse umutima benshi muri kino gihe. Ubuhinga buhanitse bwo gukora no gukoresha ivyo birwanisho buguma bwega umuntu, kuko ari we abikora, akabiha n'intumbero.

Ni co gituma ari nkenerwa kurondera ingene vyocungerwa neza. Ntitwokwirengagiza kandi ko bishika ivyo birwanisho bigakoreshwa n'imigwi y'iterabwoba canke n'uturwi turondera gutembagaza, hirya no hino, ubutegetsi buzwi n'amategeko.

Muri make isi ntikeneye namba ko ubuhinga bwa none buzana iterambere ridatunganye, riremesha amasoko mpuzamakungu y'ibirwanisho kuko ata kindi bigamije atari intambara.

Kubera ico, ubwenge n'umutima w'umuntu birahakwa kuguma ari murerembo. Ikoreshwa ry'ubuhinga buhanitse ntiryotumbera gutorera umuti ingwano biciye mu gikenye, ahubwo bwokomeza nyabuna inzira y'amahoro. Iyaba ubwenge buhingurano bwari butumbereye kuremesha iterambere nyakuri, ryuzuye rya muntu, aho rero bwoterereye cane mu bisata vy'uburimyi, indero n'imico, iterambere ry'ibihugu, ugukuza umuvukano mu bantu no mu kibano.

Ku bwa ngingo, igipimo kitabesha c'ikoreshwa ryiza ry'ubwo buhinga ni ukwitwararika ba birenzwa amaso. Nitwaba dushaka kazoza keza kuzuye iteka n'ubuntu ni uko hoba ugukorana, ukuzuzanya, mu buhinga butandukanye mu kuburonsa intumbero ishira imbere ineza.

Ibik. urup.8

# Umunsi mpuzamakungu w'ibanga ryo kwiheberimana.



Uko umwaka utashe, kw'igenekerezo rya 2 Ruhuhuma, n'umunsi mukuru w'iherezwa rya Yezu Kristu mu rusengero rw'i Yeruzalemu.

Ni kuri iryo genekerezo umweranda Yohani Paul wa kabiri yahavuye agena umunsi mpuzamakungu wahariwe ubuzima bwo kwiheberimana kuva mu mwaka w'i1997.

Muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura, uwo munsi wahimbajwe ku wa 4 Ruhuhuma 2024 ku kirimba c'itiriwe Bikira Mariya mugabekazi w'amahoro no gusubiza hamwe ku musozi wa Siyoni mu nkuka ya misa yaherejwe na Nyenicubahiro Musenyeri Gerevazi Banshimiyubusa Umwungere wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura ari kumwe na Musenyeri ari mu karuhuko k'izabukuru Nyenicubahiro Evaristo Ngoyagoye; hamwe n'abasaseredoti batari bake bari baje gushigikira abihebeyimana.

Mu ntango y'inkuka ya misa, Umwungere yahamagariye abakristu bari gukengurukira Imana kubera ibanga ryo kwiheberimana yashize muri Ekleziya, no kubihebeyimana nyene bo bemeye kwakira uwo muhamagaro. Yabatumiriye kandi gukenguruka ku butumwa abo bihebeyimana barangura muri Ekleziya iri kw'isi yose no ku butumwa barangura na cane cane muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura.

Mu nsiguro y'ijambo ry'Imana yashimikiye kw'ijambo ry'Imana tuzirikana mu masabamana y'idominika ya 5 y'igihe gisanzwe dusanga kwa Yobu ( Yobu 7, 1-4.6-7), igisomwa ca kabiri dusanga mw'ibaruwa rya mbere Pawulo mweranda yandikiye abi Korenti ( abikokorenti 9,16-19.22-23); inkuru nziza yanditswe na Mariko (Mariko 1, 29-39).

Ubwa mbere yashimikiye ku gisomwa ca mbere ni inkuru nziza aho yatanze urugero rwa karorero keza tubona kuri Yobu na Yezu Kristu imbere y'ingorane zishika mu buzima.

* Yobu ntiyigeze atera akagere Imana kubera amagorwa yabonye. Inyifato yiwe yagaragaje ukwemera n'ukwizigira yari afitiye Imana. Yagumanye umutima nkurya umwana agirira umuvyeyi wiwe, aho umwana abonye ibimuzazaniye yegera umuvyeyi ngo amuhanuze, umuvyeyi nawe akamuhanura.

Yobu muvyo yabayemwo bitari vyoroshe, yirinda kwiha inyishu zitarizo, akima amatwi abagenzi baza kumuha inyishu zitarizo. Akaduha akarorero ko kugumiza umutima ku Mana no mu bihe bitoroshe bishika mu buzima. Mu ngorane zitandukanye tukamenya kuronderamwo ico Imana yashatse kutubarira.

* Mu nkuru nziza, Yezu araduha akarorero ko kutarera amaboko imbere y'ingorane zihanze abantu. Akatwereka inyifato zitatu twomwiganako nkabihebeyimana n'abakristu balayike.

1. Ukwigisha: abatumwa biwe mu gatondo kakare Yezu agiye gusenga baramukurikiye bamubaririra ko hari abariko baramurondera kubera ibitangaro vyo gukiza abarwaye yari yagize.

Yezu yari gushobora kugumana nabo bantu ariko yabishuye ati hogi tugende kwigisha ahandi. Iyo nyifato yokwigisha abihebeyimana, bahamagariwe kwigisha atari mu majambo gusa ariko no mu nyifato yabo ya minsi yose.

2. Kwitaho abantu: Yezu araduha akarorero ko kwitaho abantu. Nacanecane abagowe, abarwaye, n'ababoshwe n'amashetani. Yarabakiza bose. Abihebeyimana nabo bahamagariwe kwitwararika ingorane z'abantu; mbere n'itiro bakarirara kubera ukwiyumvira ingene bokwitaho abandi.

3. Ugusenga : inkuru nziza itwereka ingene Yezu yazindutse agenda wenyene gusenga. Iyo nyifato ihamagarira uwabatijwe wese kugira umutima wo kunywana gose n'Imana. Tukama mu bumwe hamwe n'Imana. Ivyo bigasaba akigoro ko kurondera umwanya wo kuganira n'Imana.

Ubwa kabiri yerekeye abihebeyimana, Umwungere arabibutsa ko ibanga barimwo rihambaye. Iryo banga bakaba bahamagariwe kuribungabunga. Ni mu rukundo rero bahamagariwe kurangurana umwete ico iryo banga ribahamagarira. Bakakirana akanyamuneza ibibagora muri iryo; bakama bibuka ko atabanga ryama ryoroshe.

Bame bibuka ko umuhamagaro wabo wabashikanye mw'ibanga ryiza basangiye n'Imana. Ntawe babwirijwe kurisiganya kuko boba bahemukiye uwaribatoreye. Bame bigana Pawulo yahevye vyose akemera kuba umusuku w'Umukama.

*MSV M. Goreth Ndikumana*

# Ubwenge buhanitse bw'ubuhinga bwa none n'amahoro

*(Ibikurikira)*

Ni co gituma mu kuvyiyumvira, mu kubihingura no mu kubikoresha ari nkerwa cane kubiha intumbero ifasha gukomeza ineza. Abahinga n'abandi babifisemwo ijambo ni bo vyega.

7. **Intambamyi ku ndero.**

Iterambere ry'ubuhinga ryubahiriza kandi rigaharanira agateka ka zina muntu rirunganira cane mu ndero no mu mico y'abantu. Uko hagwizwa uburyo bw'ubuhinga bwo gutumatumanako amakuru ni ko bifasha abantu gushikirana mu buryo bushasha.

Yamara harakenewe kwama twibaza ingene iyo migenderanire mishasha tugenda tugana iteye. Amashure yose n'ibindi bigo bitegura incabwenge, bitegerezwa gufasha abanyeshure bo ku nzego zitandukanye kumenya kugira rwabo i-koreshwa ry'ubwo buhinga mu mpande zose.

Inyigisho itegerezwa gufasha abantu kumenya guhwebuza ntibapfe ivyo batoye. Birakenewe rero ko abo bose bakoresha ubwo buhinga, cane cane urwaruka, bokwiga neza ikoreshwa ryabwo, bakamenya guhwebuza imbere yo kwakira amakuru yose abashikira. Amashure mato n'ayisumbuye ndetse na kaminuza hamwe n'abasanzwe bakoresha ubwo buhinga bofasha abanyeshure n'ababukoresha gutera imbere.

Inyigisho y'ubuhinga bushasha yojana no gufasha gusambura ibinyoma no gutsinda ubwoba bufatiye ku bintazi. Ikibabaje ni uko dutegerezwa kugwana n'iyo mpengamiro yo kurondera kuduza impome zitandukanya abantu n'abandi, aho gukomeza ingendo nziza yo kubana mu mahoro n'abavukanyi.

8. **Intambamyi mw'iterambere rijanye n'amategeko mpuzamakungu**

Twihweje ingene ubwo buhinga bumaze gushwara isi yose, biribonekeza ko ari nkenerwa ko ibihugu n'amashirahamwe mpuzamakungu vyoterera mu gikorwa co gutanga umurongo ubwo buhinga bwokwisunga biciye mu masezerano.

Muri iyo ntumbero, ndasavye nshimitse ngo ibihugu bikorere hamwe kugira bishike ku masezerano akomeye, atomoye yubahiriza akaringaniza iterambere n'ikoreshwa ry'ubwo buhinga mu mpande zose.

Intumbero y'ico gikorwa ntiyoba gusa iyo gukinga no kuzitira ingendo idashemeye, ariko kandi yoba iyo gukabura ingendo nziza yokunganira abifuza gukoresha ubwo buhinga ku neza ya bose.

Ku bwa ngingo, mu ngendo yo kurondera no gukoresha neza ubwo buhinga bwa none, ni nkenerwa kubanza kumenya ibishobora kwubaka umuntu n'umubano wiwe kugira bibe umushinge w'ishingwa ry'amayandi mategeko akenewe.

Igikorwa co gutegura amategeko abwirizwa gufasha mu guhingura no gukoresha ubwo buryo, ntashobora kwirengagiza gusuzuma ibibazo bijanye n'ubuzima bwa muntu, ugukingira agateka kiwe no guharanira amahoro.

Iyo nzira yo gutohoza icokorwa no kumenya amategeko irashobora kuba ngirakamaro mu gufasha gutegera uruhara rw'ubuhinga mu migenzo y'umwumwe ndetse n'iy'abanyagihugu ; nkako iryo koreshwa rishobora kugira uruhara mu guhindura isi ikaba nziza ukuruta.



Ni co gituma muri ico gikorwa ba birenzwamaso batokwibagirwa co kimwe n'abahungiye hanze y'igihugu, abakumirwa mu gihe co gufata ingingo kw'isi. Ndizigiye rwose ko ibi vyiyumviro bizokunganira impera n'imperuka iterambere ry'ubuhinga bwa none kugira ngo rishire imbere kuremesha umubano mwiza n'amahoro mu bantu.

Si iterambere ry'abantu bakeya, ahubwo ni iry'umuryango w'abantu bose. Nkako, amahoro ni icamwa cerekana umubano mwiza hamwe n'iterambere ryunganira mu gufashanya no mu kwitangira ineza y'umuntu wese n'abantu bose.

Mu ntango z'uno mwaka mushasha, igisabisho canje ni uko ubuhinga bwa none bwokunganira mw'iterambere nyakuri ku buryo bwotorera umuti ikibazo c'ubusumbasumbane n'akarenganyo bimaze kwibonekeza kw'isi, maze hakaba guhagarika intambara, kugabanya imishamirano iri mu ngo nyinshi.

Ese abakristu n'abo mu yandi madini atandukanye, hamwe n'abantu bose Imana ikunda bakayikundira, boja hamwe bagaterera mu gikorwa co guhangana n'ubuhinga bwa none ngo bumvikane mu gufata ingingo zo kuzoraga abana bacu isi irangwa n'ubumwe, ubutungane n'amahoro.

***Bigiriwe i Vatikano, igenekerezo rya 8 Kigarama 2023***
***Papa Fransisiko***

# Bimwe mu bitaro vya hano mu Burundi, vyaraye bigabanye ivyuma bifasha abarwayi guhema


Foto: Chanel HARINGANJI

Zimwe mu machine zifasha abarwayi guhema zatanzwe

Mu ntumbero yo kwifadikanya n'abarwayi mw'ihimbazwa ry'umusi mukuru wabahariwe, umushikiranganji w'akarere ka Baden Württemberg mu gihugu c'Ubudagi, ku wa 8 Ruhuhuma 2024, yararonkeje ibitaro 4 vy'aha mu Burundi, ingabire y'ivyuma bigezweho bigera kuri 10 bifasaha abarwayi guhema.

*Ivyo bitaro navyo ni :*

- Roi Khaled yaronkejwe ivyuma 4;

- Ngozi yaronkejwe ivyuma 2;

- Muyinga yaronkejwe ivyuma 2;

- Karusi yaronkejwe icuma 1;

- Tanganyika Care yaronkejwe icuma 1.

Muganga François NDIKUMWENAYO arongoye ibitaro Roi Khaled,


Foto: Chanel HARINGANJI

akaba yanonosoye ibijanye n'indwara zo guhema, kwizina rya bagenzi we bari bahejeje kugabana, akaba yarashimye iyo ngabire kuko ije hageze kubera ije gufasha abarwayi baba bari hagati y'urupfu n'ubuzima, ico gihe ntibaba bagishobora kugira inguvu zo guhemuka, kuko ibindi bikoresho vyose biba vyananiwe.

Iyo mashine rero iza nk'ubufasha bwa nyuma mu bijanye no guhema ku murwayi.

Akemeza ko igihe abarwayi bageze ku rugero babura umwuka wa Oxygène ukwiye, haba hariho urundi rugero badashobora gushikako. Ivyo bikaba vyava kukutagira ivyuma bikwiye.

Ivyo bikaba bigiye kubaha ingoga kuko hari abarwayi benshi bagiye gukira kandi batokize.

Amenyesha kandi ko iyo umurwayi amaze gushika kuri iyo ntambwe yo gukenera ubufasha bw'iyo mashine, igihe atayironse hagufi ashobora kwitaba Imana mu minota mike.

Asaba abaganga n'abaforoma bari ku bitaro bishobora kuronka izo mashine, ko igihe boba atabumenyi bwo kuzikoresha babifitiye, bosaba ababizi bakabunganira mu kubereka ingene zikoreshwa kugira bashobore gutabara abarwayi igihe bikenewe kandi mu mwanya wo.

Mu misi igiye kuza hakaba hazoza iyindi ngabire y'amamashine nkayo azoba agenewe ibitaro bitashoboye gushikirwa.

Abo bagiraneza bakaba basanzwe bafasha ibitari bike mu gisata c'amagara y'abantu aha mu Burundi.

Ivyo bikorwa vyari vyaserukiwe na muganga RAINER Schach ajejwe imigenderanire hagati y'ako karere ko mu gihugu c'Ubudagi n'Uburundi mu bijanye n'amagara y'abantu, arikumwe n'uwuserukira ico gihugu c'Ubudagi mu Burundi.

Hari kandi uwuserukira imigenderanire hagati y'Uburundi n'ayandi makungu, uwuserukira ubushikiranganji bw'amagara y'abantu mu Burundi barikumwe n'abaserukira ibitaro vyari biramutse bigabana iyo ngabanwa idasanzwe.

Ako karere ka Baden Württemberg mu gihugu c'Ubudagi kakaba kari gasanzwe gafitaniye ubucuti n'Uburundi mu bijanye n'amagara y'abantu, haraheze imyaka 40.

Tubamenyeshe ko imashine imwe igumarwa amafranga y'amanyaburaya angana n'ibihumbi 6.

**Chanel HARINGANJI**

# Ingene iyunguruzwa ry'imanza rigenda muri sentare

Iyo sentare iciye urubanza, nyene kwitwara canke kwitwarirwa ntashime ingingo yafashwe, arafise uburenganzira bwo kwunguruza urubanza. Nta n'umwe arekuriwe kubuza canke kubera intambamyi uwo wese ashatse kwunguruza urubanza.

Mu Burundi, kwunguruza urubanza ni uburenganzira butegekanijwe n'amategeko kandi arerekana ingene gutegerezwa kugenda. Tuza kwisunga :

- Ingingo ziri mu gitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa,
- Ingingo ziri mw'ibwirizwa nomero 1/27 ryo ku wa 28 kigarama 2023 risubiramwo igitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'amatati ziburanishwa, zicibwa n'ingene zikurikizwa
- Hamwe n'ingingo ziri mw'ibwirizwa nomero 1/21 ryo ku wa 3 myandagaro 2019 rigenga sentare ntahinyuzwa.

Twashimye kubayagira ku vyerekeye ingene iyunguruzwa ry'imanza rigenda, kuko hariho bamwe bamwe bishobora gushika bakunguruza imanza, ariko kubera ukutamenya ingene bitunganijwe, bagasanga ubwo burenganzira bwabo ntibwubahirijwe.

*1. Ingene iyunguruzwa ry'imanza z'ivyaha rigenda*

Ivyerekeye uburenganzira bwo kwunguruza urubanza bitegekanijwe mu gitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa, tubisanga mu ngingo zo kuva ku ya 321 gushika ku ngingo ya 331.

*1.1 Ninde ashobora kwunguruza urubanza ?*

Izo ngingo zivuga ko abashobora kwunguruza urubanza ari : uwagirizwa icaha, umushikirizamanza, uwaciriwe gutanga indishi hamwe n'uwusaba indishi. Tubisanga mu ngingo ya 321 ya rino bwirizwa.

*1.2 Ni ikihe kiringo gisabwa kugira ngo iyunguruzwa ryakirwe ?*

Ingingo ya 322 ivuga ko iyunguruzwa ry'uruba-nza ryakirwa mu kiringo c'imisi 30 ikurikira umusi rusomeweko, iyo ari umushikirizamanza yarwunguruje, iyo ari ababuranyi baburanye imbonankubone canke iyo rwaciwe impaga.

Ikiringo gitegekanijwe co kwunguruza urubanza, congerwako imisi urugendo rumara, ariko nticigere kirenza imisi 45. Tubisanga mu gace ka 3 k'iyi ngingo.

Agace ka 4 na ko kavuga ko urugendo bafatirako mu guharura uwo mwanya ni ururi hagati y'aho uwunguruje aba n'iyandikiro ry'imanza nyene kwunguruza yamenyesheje ko yunguruje, iyo ari urubanza rwaburanishijwe imbonankubone. Iyo urubanza rwaciwe impaga naho, urugendo rw'ifatiro ni ururi hagati y'aho urubanza rwamenyesherejwe ni ukuvuga aho sentare yaruciye iherereye n'iryo yandikiro ry'imanza ry'aho rwungururijwe.

Iyo urubanza rw'icaha rwungururururijwe muri sentare ntahinyuzwa ngo rusamburwe, ikiringo co kwunguruza ni imisi 60. Tubisanga mu ngingo ya 144 y'ibwirizwa rigenga sentare ntahinyuzwa.

Ikiringo kingana uko nyene mu gihe c'urubanza rwabaye ntabanduka hakaba hasabwe ko rusubirwamwo na sentare ntahinyuzwa ibisata vyayo vyose bikoranye, ico bita " révision ". Tubisanga mu ngingo ya 162.

Umushikiranganji w'ubutungane niwe yitura sentare, abisabwe n'uwipfuza ko urubanza rwabaye ntabanduka rusubirwamwo, mu gihe asanze ivyo basaba bifise ishingiro. Tubisanga mu ngingo ya 161.

*1.3 Iyunguruzwa rikorwa gute ?*

Ingingo ya 324 ivuga ko ukwunguruza urubanza bishobora kugirwa vyanditswe musi y'urwandiko rumenyesha urwaciwe, canke kubimenyesha mw'iyandikiro ry'imanza rya sentare yaruciye canke rya sentare y'iyungururizo canke mw'ikete yandikiye umwanditsi w'imanza w'imwe muri izo sentare.

Igenekerezo umwanditsi w'imanza aronkeyeko iryo kete ni ryo ryerekana umusi iyunguruzwa ry'urubanza ryagiriweko.

Iyi ngingo ibandanya uvuga ko uwo musi nyene aronkeye ko iryo kete, umwanditsi w'imanza aca aryandikako igenekerezo arironkeyeko, agaca amenyesha uwunguruje urubanza ko iryo yunguruza ryakiriwe.

Umwanditsi w'imanaza ni we afise igikorwa co kumenyesha abandi baburanyi ivyerekeye iyunguruzwa ry'urubanza.

*1.4 Ingene iyunguruza rikorwa n'umupfungwa*

Mu gihe uwunguruje urubanza apfunzwe, iyo ashaka kwunguruza urubanza ategerezwa kubicisha ku muyobozi w'ibohero. Igenekerezo iyunguruzwa rigiriwe ko ryerekanwa n'igenekerezo umuyobozi w'ibohero ashiriye umukono werekana ko ryamuciye mu minwe, kw'ikete ryanditswe n'umupfungwa ryo kwunguruza urubanza,. Tubisanga mu ngingo ya 324.

*1.5 Ingene bigenda urubanza rumaze kwunguruzwa*

Nk'uko tubisanga mu ngingo ya 325, umwanditsi w'imanza wo muri sentare yaciye urubanza rwungurujwe aca arungikira mu maguru masha umwanditsi w'imanza wo muri sentare y'iyungururizo, inzandiko urubanza rwaburanishirijweko n'iyimuriro ry'urwo rwungurujwe kandi hatarenze ikiringo c'iminsi 15 kuva rwungurujwe.

Ingingo ya 326 na yo ivuga ko, Sentare y'iyungururizo yisunga ibiri mu rwandiko rusaba kwunguruza urubanza ikongera ikaraba ko uwunguruje abifitiye uburenganzira. Iyo uwagirizwa icaha ata-

Ibikur. urup. 11

# Ingene iyunguruzwa ry'imanza rigenda muri sentare

(Bitangurira ku rup.10)

ronse ikopi y'urubanza imbere yo kwunguruza, arashobora gutanga ibindi bikenewe vyunganira urwandiko rwunguruza urubanza rwatanguye kuburanishwa.

### *2. Ingene iyunguruzwa ry'imanza z'amatati rigenda*

Uburenganzira bwo kwunguruza urubanza ntibutegekanijwe ku manza z'ivyaha gusa nk'uko duhejeje kubibona muri kino gitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, zibubranishwa n'ingene zicibwa, buraregekanijwe kandi no ku manza z'amatati.

Tubisanga mw'ibwirizwa nomero 1/27 ryo ku wa 28 kigarama 2023 risubiramwo igitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'amatati ziburanishwa, zicibwa n'ingene zikurikizwa mu ngingo zo kuva ku ya 254 gushika ku ngingo ya 300.

Izi ngingo zivuga ko ukwunguruza urubanza, gutumwe no kutemera urwaciwe ku rugero rwa mbere, gutuma urwambere ruhindurwa canke rufutwa na sentare rwunguruirijwemwo.

Izi ngingo zibandanya zivuga ko imanza izo ari zo zose zishobora kwunguruzwa kiretse iyo bitegekanijwe ukundi.

### *2.1 Ikiringo gisabwa kugira ngo iyunguruzwa ryakirwe*

Ikiringo c'ukwunguruza urubanza ni ic'imisi 30. Ku manza zaciwe aburanyi bahinyuzanya, ico kiringo gitangura guharurwa kuva umusi ukurikira uwo urubanza rwamenyesherejweko. Ku manza zaciwe impaga, ico kiringo gitangura guharurwa kuva umusi rutagishobora gusubirishwamwo muri sentare yaruciye. Tubisanga mu ngingo ya 269 ya rino bwirizwa turiko turisunga.

Iyo umwe mu baburanyi bishitse akitaba Imana, ico kiringo gica gihagarikwa. Haca hashingwa ikiringo gishasha na co kigatangura guharurwa umusi umwe umwe wese mu basigwa amenyesherejwe urubanza rwaciwe bisabwe n'uwo baburana. Tubisanga mu ngingo ya 270.

Umushikiranganji ajejwe ubutungane ni we afise ububasha bwo kwu-nguruza imanza zerekeye Reta. Tubisanga mu ngingo ya 258.

Iyo urubanza ruhuza abantu benshi, naho nyene amategeko yarategekanije ingene iyunguruzwa ryarwo riheza rikagenda. Mu gihe ababuranyi benshi basangiye urubanza, umwe muri bo arafise uburenganzira bwo kwunguruza urubanza. N'abasigaye barafise ubwo burenganzira umwe umwe ukwiwe bwo kwunguruza, mu gihe badahisemwo kwifatanya n'uwunguruje. Tubisanga mu ngingo ya 259.

Urubanza rwungurujwe ikiringo carenze, ruca rutangazwa ko rutakirwa na ho atawoba arinze kubisaba kiretse hatanzwe imvo zumvikana zatumye urubanza rutunguruzwa mu kiringo gitegekanijwe. Tubisanga mu ngingo ya 273 ya rino bwirizwa.

Ariko ico kiringo kirahinduka igihe iyunguruza ry'urubanza rifise intumbero yo gusambuza urwaciwe. Ico kiringo gica kiba imisi 60, gitangura guharurwa kuva umuburanyi amenyeshejwe ingingo ya sentare. Tubisanga mu ngingo ya 134 y'ibwirizwa rigenga sentare ntahinyuzwa.

Gusubirishamwo urubanza rwabaye ntabanduka, bikorwa mu kiringo nk'ico nyene, nk'uko tubisanga mu ngingo ya 169 y'ibwirizwa rigenga sentare ntahinyuzwa, n'aho nyene bicishijwe ku mushikiranganji w'ubutungane.

### *2.2 Ninde aseruka mu mburano y'urubanza rwungurujwe ?*

Mu ngingo zerekeye ingene iyunguruzwa ry'imanza z'amatati rigenda muri sentare, ziri mw'ibwirizwa nomero 1/27 ryo ku wa 28 kigarama 2023 ryerekeye ingene imanza z'amatati ziburanishwa, zicibwa n'ingene zikurikizwa, harategekanijwe ko umuburanyi ashobora kwiserukira canke agaserukirwa n'uwumuburanira. Twokwibaza duti biraheza bikagenda gute?

Iyo umuburanyi afashe ingingo yo kwunguruza urubanza, ashobora kwiserukira we nyene ubwiwe, canke agaserukirwa n'uwo yatumye afise urwandiko rubimuhera ububasha. Umushingwarubanza w'umuburanyi yunguruje urubanza n'umushingwarubanza w'uwungururijwe bategerezwa kuba bafise urwandiko rubaha ububasha bwo kuburanira ababatumye.Tubisanga mu ngingo ya 258 ya rino bwirizwa.

Naho biri uko, iyo imanza z'ivyaha canke imanza z'amatati zungururijwe muri sentare ntahinyuzwa, amategeko akurikizwa arahinduka.

Nko ku vyerekeye ibiringo, urubanza rwunguruzwa mu kiringo c'imisi 60 itangura guharurwa kuva umusi umuburanyi amenyesherejwe urubanza rwaciwe. Tubisanga mu ngingo ya 134 y'ibwirizwa ryerekeye itunganywa rya sentare ntahinyuzwa.

Mu gusozera, tubamenyeshe ko uburenganzira bwo kwunguruza urubanza bwubahirizwa mu masentare yose, haba mu ma sentare asanzwe ndetse no mu ma sentare adasanzwe, kandi burekuriwe umuntu wese atashimye urwaciwe.

Ariko abantu bitura sentare bomenya ko mu gihe ibiringo vyo kwunguruza vyarenze, iryo yunguruza ntiriheza ngo ryakirwe, kandi nta karenganyo kaba kahabaye nk' uko bamwe bamwe bashobora kuvyiyumvira.

Kuri abo bose bitura sentare mu ntumbero yo kwunguruza urubanza, bokwitaho kumenya ingene amategeko abigenga aba yarabitunganije, ari na yo ntumbero nyamukuru yatumye tubayagira ku vyerekeye ingene imanza zunguruzwa muri sentare.

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Mu bugaragwa, Imana iraducira inzira y'umwidegemvyo

*(Bitangurira ku rup. 3)*

vyo Yezu yaciyemwo aho yari mu bugaragwa. Mw'ijwi ry'Imana rivuga riti : "Uri umwana wanje nkunda cane, muri wewe nahasanze ibimpimbara vyose"(Mariko1,11) no mu gitabu c'Ihunguka kivuga ngo "Nta zindi mana uzombangikanya » (Ihunguka 20,3) ni ho hasambukira imitego yose y'ububeshi bw'umwansi Sekibi.

Ibigirwamana biteye ubwoba gusumba Faraoni kuko twoshobora kubigereranya nk'ijwi ryiwe muri twebwe. Nkako, ugushobora gukora vyose, ukurondera kumenyekana n'ukwemerwa na bose, ukuba urengeye vyose ni yo mpengamiro iroresha ku kinyoma iri muri zina muntu wese.

Ni akamenyero ka kera. Turashobora kwihambirira ku mafaranga, ku migambi imwe imwe, ku vyiyumviro, ku nyungu z'ivyo dushaka gushikako, ku mpengamiro zacu, ku migenzo yacu no ku bantu. Ivyo rero aho kuduteza imbere biratumugaza; aho kuduhuza n'abandi bigatuma dutandukana.

Yamara, hariho uwundi mutigiri mushasha w'abantu bataheranywe n'urwo ruhendo rwa Sekibi, ni abantu bato bato n'abicisha bugufi.

Mu gihe ibigirwamana bikongataza bene vyo bikabagira ibiragi, impumyi n'ibitumva, abafise umutima ushima ubworo bobo barangwa n'umutima wagutse kandi bama bagavye maze inguvu zabo zigakiza, zigashigikira isi.

7. Harageze kuva hasi tugakora, kuko igihe c'ikarema ni igihe co gukora no kumenya guhagarara kugira ngo dusenge, twakire Ijambo ry'Imana; ni igihe co guhagarara nka wa munyasamariya imbere y'umuvukanyi yakomeretse.Urukundo rw'Imana ruratuvukanisha rukatugira umwe. Ukutagira izindi mana, ni uguhagarara imbere y'Imana y'ukuri n'imbere y'umugenzi.

Nico gituma, ugusabikanya n'ukwibabaza si imyimenyerezo itatu yirebanga ariko ni ingendo imwe yo kwiyugururura no kubohoka tukavavanura n'ibigirwamana vyahora bidukandamiza hamwe n'ivyo vyose vyahora bituboha.

Ico gihe rero, umutima wafutanye kandi wahora wirebanga uzokwikangura kuko twemeye kugenda bukebuke, tukemera mbere no guhagarara.

Bizoduha kwihweza dutangarira ubuzima maze Ikarema idufashe kuharonkera inkomezi zisumbirije. Imbere y'Imana ducika abavukanyi, tukabarabisha amaso mashasha; ntituba tukibabonamwo abansi batugeramiye ahubwo tubabonamwo abavukanyi dufatanije akayira.

Uyo ni wo mugambi w'Imana, ni yo ya ntara y'Imana twemerewe kandi tugenda tugana tuvuye mu bushumba

8. Ingendo y'Inama nsangizangendo turimwo muri ino myaka, irerekana ko Ikarema ari umwanya w'ingingo zipfundikirwa mu mibano, zaba ntoyi canke izihambaye. Uko zakabaye zose zitegerezwa kudufasha guhindura ubuzima bwa misi yose bw'abantu n'ubw'aho babaye haba uko twahora dusuma ngo twibesheho, uko twitwararika ibiremwa hamwe n'uwakumiriwe canke birenzwamaso.

Ndatumiriye umubano wose w'abakristu kuvyitwararika mu guha umwanya abakristu kugira biyumvire kandi barimbure ingene babayeho; ni bamenye kwironderea umwanya wo kwitaho abandi mu kibano no kuronderera hamwe ihumbi ryubaka, rikaryohora umubano.

Vyoba bibabaje mu gihe tuguye muri ya ngendo y'ukwibabaza yashavuje Yezu maze akagabisha agira ati: "kandi iyo mwisonzesheje, ntimwijirwe nkuko indyarya zibigira kuko biyoberanya mu maso ngo babonwe n'abantu"(Matayo 6, 16).

Abantu nimubahe nyabuna kubona akanyamuneza kanyu, bamoterwe n'akamoto k'umwidegemvyo wanyu, musayangane urwo urukundo rugira vyose bishasha mu guhera kuri bitoboto no ku bitwegereye. Ivyo birashobora kurangukira mu mubano wose w'abakristu.

9. Mu gihe iyi karema yotubera umwanya mwiza w'ukwisubirako, abari bazimiye bazokwikubita agashi maze bashikire umwizero mushasha. Nipfuje kubabwira, nkuko nabibwiye urwaruka twari kumwe mu ci riheze i Lisbone nti: "Rondera mudatinya, rondera mudatinya." Mu gihe ca none, amananiza ni menshi, intambamyi ni nyinshi.

Turabona ingwano ya gatatu y'isi yose irimwo imice myinshi. Yamara ntitwiyumvire ko turi ku mpfiro ariko tumeze nk'umugore ari ku mbanyi; ntituri ku muhero w'isi ahubwo turi mu ntango y'ibindi vyiza bisumbirije.

Ukwiyumvira gutyo bisaba ubutwari bwinshi" (Ihwaniro ry'urwaruka bo mu makaminuza, 3 myandagaro 2023). Ubwo ni ubutwari bwo guhinduka no kubohoka tuva mu buja. Ukwemera n'urukundo ni vyo bishigikiye uwo mwizero kandi birawufasha gutambuka, nawo ukabiha gukomera.

Ndabahezagiye mwese ndabifuriza urugendo rwiza rw'Ikarema.

Bigiriwe i Roma ku wa 3 Kigarama 2023,

Uw'Imana wa mbere w'Ubushikiro.

***Papa Fancisko***

***(Iyi nigisho yahinduwe mu Kirundi n'Igisata kijejwe ubutumwa n'Inyigisho ndoramana)***